REPUBLIQUE DU BURUNDI

MINISTERE DE LA SANTE PUBLIQUE
ET DE LA LUTTE CONTRE LE SIDA
*CABINET DU MINISTRE*

Bujumbura, le 24/04/2020

N° 630 /1972/CAB/2020

V/ Réf/

N/ Réf/

Objet : **ITANGAZO RY'UBUSHIKIRANGANJI BWO KUBUNGABUNGA AMAGARA Y'ABANTU NO KURWANYA SIDA RYEREKEYE IKIZA CA CORONAVIRUS MU BURUNDI**

Ku magenekerezo ya 22 na 23 Ndamukiza 2020, ibipimo vyakozwe ku bantu mirongo itandatu (60) bari mu bamaranye umwanya munini n'aba barwayi 5 batowe umugera wa Coronavirus bariko barakurikiranywa mu kigo kibijejwe **c'Ibitaro vya Clinique Prince Louis Rwagasore** twasanze vyifashe gurtya :

**Muri abo bantu 60 bamaranye umwanya munini nabo barwayi batanu (5) batowe umugera wa Coronavirus, umwe (1) niwe twasanze yaranduye umugera wa coronavirus.**
**Uwo nawe ni umunyeshure ariko arimenyereza muri iki gihe mu gisata ca chirurgie mu bitaro vya Clinique Prince Louis Rwagasore**.

**Igikorwa co gukurikirana abantu bamaranye umwanya munini n'uwo munyeshure yatowe indwara ya Coronavirus kirabandanya mu ntumbero yo kumenya abandi boba baranduye**.

Ubushikiranganji bwo kubungabunga amagara y'abantu no kurwanya sida busubiye guhumuriza abenegihugu ngo batekane, ariko bitwararike gukwirikiza impanuro zo kwikingira no gukingira abandi ikiza ca Coronavirus.

**Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 24 Ndamukiza 2020**

**IBIROVY'UMUSHIKIRANGANJI WO KUBUNGABUNGA AMAGARA Y'ABANTU NO KURWANYA SIDA**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Ministère de la Santé Publique et de la Lutte Contre le SIDA
Cabinet du Ministre
B P 1820
BUJUMBURA